www.kidworship.kr

# Imikate Itanu n'udufi tubiri

- 7th story -



42Page

**Uwuvuga** Umusi umwe Yesu yariko yigishiriza ku kombe z'ikiyaga c'I Galilayo. Ishengero ryinshi cane riramukurikira kuko bari bumvise ibitangaza bikomeye yakoze. Yesu agendagenda hagati mw'ishengero, akiza abarwayi yongera yigisha ivy'ubwami bw'ijuru. Ijoro rikuvye, abigishwa biwe baza kumubarira:

**Umwigishwa umwe** Aba bantu bose tubagira gute?

**Uwundi** Aha hantu ni kure y'igisagara kandi burije, none ntiworungika abantu bagataha mu gisagara iwabo ngo baje kwigurira ivyo kurya?

**Uwuvuga** Yesu aca aravuga :

**Yesu** Ntaho baja. Nimubahe ivyo kurya.

**Umugwishwa wa mbere** Yesu, nta mafaranga dufise, kandi naho twoyagira, ntwokurahe imitsima ikwira aba bantu bose? Ntaho twogura imikate ngaha, none tugaburira gute abo bantu bose?

**Yesu** Nimubaze ko hariho umuntu afise ivyo kurya mw'ishengero.

......................................................................................................



43Page

**Uwuvuga** Abigishwa bararondera hanyuma baca bagaruka kubarira Yesu:

**Umwigishwa wa 2** Hari umuhungu afise udukate dutanu hamwe n'udufi tubiri.

**Yesu** Nimutunzanire.

**Uwuvuga** Abigishwa babaza wa muhungu :

**Abigishwa** Woshobora guha indya zawe Yesu?

**Umuhungu** Egome, nimwakire.

**Uwuvuga** Wa muhungu ahereza abigishwa twa dukate dutanu n'udufi tubiri.

......................................................................................................



44Page

**Uwuvuga** Abigishwa bashikiriza Yesu za ndya. Yesu yicarika abantu mu migwi ya mirongo itanu itanu. Bose bamaze kwicara, bari nk'ibihumbi bitanu- haharuwe abakuze gusa! Yesu yabira twa dukate dutanu na twa dufi tubiri, aradushima aca avuga



45Page



46Page

**Yesu** Gaburira abantu.

**Uwuvuga** Ivyakurikiye vyari igitangaza! Naho batanga vyinshi gute, imikate n’amafi ntivyigeze bigabanuka!

**Uwuvuga** Ba bantu ibihumbi bitanu bose bararya barahaga. Bose batangarira ubushobozi bwa Yesu. Yesu yongera kubarira abigishwa biwe.

---

**Yesu** Nimwegeranye utwasigaye. Ntihagire ikintu gitakara.

**Abigishwa** Umwe wese ashire ngaha ivyo yasigaje.

---

**Uwuvuga** Bahejeje kwegeranya ivyo kurya vyasigaye, basanga bujuje ibiseke cumi na bibiri! Ukwizera n’icubahiro kuri Yesu bira-komera kw’ishengero n’abigishwa biwe babandanya ku-mukurikira.